IFISHI IFASHA MU KUJIJURA ABARIMYI

IRIMA RY'IMYUMBATI

TWOFUMBIRA GUTE?		IBINGANA GUTE?	RYARI ?	GUTE ?
Gushiramwo ishwagara mu gihe isi ifise uburakari		Ibiro mirongo itatu vy'ishwagara yoroshe kandi yumutse kuri are imwe uko imyaka ibiri iheze	N'imiburiburi hasigaye indwi zine ngo bateragire (ukwezi)	Kuyisanzaza mu murima bagaca bayizika buno nyene
Gufumbira bakoresheje amase y'ibitungwa canke umwavu wo muri nyabarega		Ibiro 100 vy'amase y'ibitungwa canke umwavu wo muri nyabarega (ibivumvu 4 vyuzuye)	Indwi 2 inyuma yaho bashiriyemwo ishwagara	Gusanzaza mu murima hanyuma bakawuzika
Gufumbira bakoresheje Umwavu w'ikizungu		Ibiro 2 vy'umwavu witwa NPK 17-17-17 kuri are imwe	Ibikoti bimaze kunaga n'ukuvuga iminsi 10 gushika kuri 20 inyuma y'itera	Mu gaserege kameze nk'urugori inyuma y'igikoti

Are imwe ingana na metero icumi z'uburebure kuri metero icumi z'ubwaguke (10 x 10)

IFDC CATALIST

<u>Tegera neza</u> : Ingero zirashobora guhinduka bivuye : Ingene ishwagara yoroshe, ubusisire burimwo ingene PH y'isi ingana, Ku mase y'ibitungwa no ku bitabizo bihinguye hamwe n'uburyohe isi yarisangwanywe

IFISHI IFASHA MU KUJIJURA ABARIMYI

INDWARA NKURU NKURU N'UDUKOKO

INDWARA CANKE UBUKOKO	IBIMENYETSO VYAZO	UBURYO BWO GUKINGA	IMITI YO KUVURA	URUGERO RW'IMITI
Irunde ariyo Mozayike		- Gutera ibikoti vyarobanuwe, bitarwaye - Kurandura ibiterwa birwaye no kubiturira - Gukurakuranya neza ibiterwa: imyumbati ntikwiye gusubira ahavuye imyumbati	Nta miti iriho yo kuyivura	Nta miti iriho yo kuyivura
Indwara iterwa n'udutangurirwa dusa n'urwatsi rutoto		- Guteragira imyumbati imvura igitasura - Guteragira ibikoti vyarobanuwe bitarwaye.	Bakoresha umuti witwa Dimetowate 40% EC	Mililitiro 10 (n'ukuvuga umuti wuzuye uturumyo tubiri twa fanta) mu malitiro 10 y'amazi kuri are
Urubobi ariyo Antarakinose		- Gutera ibikoti birobanuye, bitarwaye - Gutabira neza	Kuvanga imbuto n'umuti witwa Benomile	Amagarama 30 y'umuti mu malitiro 10 y'amazi kuri are imwe

Are imwe ingana na metero icumi z'uburebure kuri metero icumi z'ubwaguke (10 x 10)

IFDC CATALIST